**Iki candiko gifise intumbero yo gutomorera neza abizera icariko iyerekwa no guhagarika ibarabara vyabigira abanyerekwa kandi Atari bo .**

**Ca tunganijwe**

**na**

**Pasteur NDAYISENGA Wenceslas**

*Ufise ico wunganira canke ubuza :*

*Whatsapp: 79938921 canke 79988236*

# IKAZE

Ivyo tuzorabira hamwe:

- **Iyerekwa (vision)**
- **Ihishurirwa (révélation) Mu gice ca kabiri**
- **Iyerekwa (vision) na Bibiliya Mu gice ca kabiri**

# Vy'ukuri woba ufise iyerekwa (vision) canke woba uri umunyerekwa (Visionnaire)?

# IGICE CA MBERE

# Amatanguriro

Muri kino gihe ishengero ry’Imana riri hagati y’umuvuduko wigwiriranwa ry’amayerekwa mu bigisha no mu barongozi benshi. Iyerekwa n’ihishurirwa na vyo biri ku muvuduko wo kwigishwa cane. Umwe wese arashobora kwibaza ko vy’ukuri ayo mayerekwa n’amahishurirwa ni yo? Canke arakenewe? Ivyo bibazo n’ibindi umuntu yo kwibaza ni vyo iyi nyandiko igiye kuvugako.

# Amatanguriro

**1 Ab'i Korinto 3:10-11** ***« Nk'uko nahawe ubuntu n'Imana, nashizeh' itanguriro, nk'umwubakisha mukuru w'ubgenge, uwundi yubakako. Arik' umuntu wese ni yiyubare uko yubakako. Kukw irindi tanguriro ata muntu ashobora kurishiraho, atar' iryashizweho, ni ryo Yesu»***

# Amatanguriro

Mundangura mvugo « ***Kubakira ku matanguriro*** » vyerekana ko atagishasha twemereye gushiraho, ndetse nta n'iyerekwa rindi rikenewe kiretse ivyashizweho ***Kukw irindi tanguriro ata muntu ashobora kurishiraho, atar' iryashizweho, ni ryo Yesu.***

# Amatanguriro

Imana irashiraho yonyene ubwayo amatanguriro yuko tugomba kwitondeka imbere yayo no tuduza ivyiyumviro vyacu munteguro zayo.

« ***Ikiriho ni co cahozeho, kand' ikizobaho na co cahozeho: kand' Imana isubira kugarukana icamaze guhita***. » **Umusiguzi 3:15**

# Amatanguriro

Ntakiriho kitahozeho kandi ntakizoza kitabayeho, reka tuvuge ko twahamagariwe mu vyabayeho tutarabaho, tutarabaho inyubako y'ivyo tuzobamwo yaririho. Iyerekwa n'ububasha budushikana hagati na hagati mu mutima w'integuro twashingiwe tutarabaho.

# Amatanguriro

Amatanguriro atwereka ko icakamaro atari kurondera gushinga ayandi mayerekwa canke amatanguriro mashasha nkaho wogira ngo n'ishirahamwe rivutse mw'isi rivuga ibintu bitigeze bitegurwa.
Ishengero ry'abera n'abantu bahamagawe gushingwa mw'iyerekwa no mu matanguriro ry'uwarihamagaye akaritoranya. Nk'abera turakeneye ihishuririrwa ridushikana kw'iyerekwa twashingiwe.

# Amatanguriro

Guhusha iyerekwa canke amatanguriro twashingiwe n'amajuru bivyara guhona no kwitegurira kurandugwa.

***Imigani 29:18 «Iyo hatar'uguhishurirwa, abantu bigira uko bagomba. »***

Muyindi mvugo iyo abantu bataye amatanguriro bashingiwe umuntu wese yitoraniriza iyerekwa (agenda uko ashaka).

# Amatanguriro

Ubu rero turi ku mu nzane wo gutahura amajambo abiri: **Iyerekwa** n'**uguhishurirwa**. Ayo majambo kenshi aritiranwa ariko ntasa.

Reka dutangurire kw'ijambo rya mbere '**Iyerekwa**'

## A. Iyerekwa (vision)

Iyerekwa n'ubushobozi karemano bushiraho umugambi utigeze kuvukira mu mutima w'umuntu n'umwe. Iyerekwa ntiridomekwa n'icigano canke gutunganya neza ibitagira urutonde. Iyerekwa ririgenga kuko ubwaryo n'inzira. Iyerekwa kenshi ntabahanuzi rigira canke inararibonye kuko n'inzira nsha atamuntu yigeze kuyicamwo.

# Amatanguriro

**Ibiranga ubudahangarwa vy'iyerekwa (vision)**

Iyerekwa riratandukanye n'ivyiyumviro vyiza bishiraho inkoro y'iterambere tugomba gushikako. Ubudahangarwa bw'iyerekwa bwarikiye mu gushiraho intango y'umugambi, iherezo n'ibihembo birikomokako bizoboneka vuba n'ibizoboneka mu binjana vyinshi.

**1. Iyerekwa ntirihangarwa mu gushiraho intango**

Iyerekwa n’umushinge ugaranzurira ahabona umugambi utigeze kuboneka mu mutima w’umuntu n’umwe canke wumvikane mu matwi y’umuntu n’umwe.

Iyerekwa rizazanira abaryumvise umbwa mbere ariko rikabera inzira abo mu bijana vyinshi.

## 2. Iyerekwa ntirihangarwa mu gushiraho iherezo n'ibihembo birikomokaka

Uko iyerekwa ritegura intango ni ko ritegura n'iherezo. Intango y'iyerekwa riyoborera ku herezo. Iyerekwa ritadondora iherezo n'inkuru n'igitito. Iherezo ry'iyerekwa ni zo nkomezi zikomeza iyerekwa. Ntayerekwa ry'ubakira kw'iherezo ry'uwundi mugambi. Iyerekwa ryose rifise iherezo ryaryo n'ibihembo vyaryo.

# Amatanguriro

Ntamuhanga ashobora kwerekanira ubuhanga bwiwe munyandiko z'abandi. Iyerekwa rirakundwa na benshi kandi benshi bashaka kwibona kubatse iyerekwa ariko ukuri n'uko atari benshi bashoboye kubaka iyerekwa hariho abahamagawe gukwirikira amatanguriro y'iyerekwa yashizweho n'abandi.

## Ibintu bitari iyerekwa

Iyerekwa si kopi yarabiwe mu bitabo canke mu yindi mi hingo y'isi bikazanwa aho itarashika.

Iyerekwa s'amajambo menshi aryohera abantu.

Iyerekwa s'uruhusha rwo gukora ku mugaragaro.

Iyerekwa s'ivy'iyumviro y'ibikenewe kuronkwa mu bizima

Iyerekwa s'amazina duha amashengero canke amashirahamwe.

## Ibintu biterekana Iyerekwa

Iyerekwa ntiryerekanwa n'ubutunzi

Iyerekwa ntiryerekanwa n'icubahiro n'ukwemerwa

Iyerekwa ntiryerekanwa n'igitigiri c'abantu bayoboka uburongozi.

Iyerekwa s'ivyivugo ngenderwako canke amazina y'ubuhizi.

Iyerekwa ntivyerekanwa no gutunga contact nyinshi zabazana amahera mu mihingo mwinshi y'isi.

Mugire ibihe vyiza, Ubutaha tuzorabira hamwe

# **Ihishurirwa (Révélation)**

## B. Ihishurirwa (Révélation)

Ihishurirwa n'urugendo rutuyoborera kw'intanguriro no kwiherezo vyashizweho n'iyerekwa. Ihishurirwa n'intabuko zitandukanye zikuba k'ingazi ishikana kw'iyerekwa. ihishurirwa ritagira iyerekwa n'iyerekwa ritagira ihishurirwa n'ubupfu kuko ahatagira ihishurirwa abantu bagenda uko bashaka. (imigani 29:18)

# Amatanguriro

Iyerekwa n'ihishuriwa ntibisa ariko ntibivana. Iyerekwa rimwe rishobora kugira amahishurirwa menshi kandi n'ihishurirwa rimwe rishobora kuja mu mayerekwa menshi ariko iyerekwa rimwe ntirija murindi yerekwa kuko amayerekwa abiri afise amaherezo atandukanye. Hatabaye kuba maso ihishurirwa rirashaka kwigenza nk'iyerekwa, mu gihe ivyo bitatahuritse neza uguhusha inzira gutangura kunyogomba mw'iyerekwa.

# Amatanguriro

Ihishurirwa rirahinduka riva mu bwiza rija mu bundi ariko iyerekwa riguma ari rudende. Mu gihe ihishurirwa rifatwa nk'iyerekwa rigiye kwimukira ku rundi rugezo rw'ubwiza busumba aho ryari bishobora kuzana umwijima n'intambara mw'ishengero kuko benshi babifata nkaho iyerekwa ryahindutse.

Akarorero: uburyo ibimazi vyatangwa mw'isezerano rya kera vyarahindutse mw'isezerano risha ariko iyerekwa ntiryahindutse

# Amatanguriro

Iyerekwa s’ivyivugo ishengero rishiraho buri mwaka ariko ihishurirwa rirashobora kwarikira kuvyivugo canke kunteguro za buri mwaka canke buri gihe.

# Amatanguriro

Ihishurirwa riratahuritse cane gusumba iyerekwa kuko ntushobora gusobanura no gutomokerwa neza n'iyerekwa utarihawe. Ihishurirwa rirasangirwa ariko iyerekwa ntirisangirwa. Ihishurirwa benshi barashobora kuryagura ariko iyerekwa bisaba kwitonderwa. Iyerekwa rivuga kenshi ibitaboneka canke ibidaserukira amaso y'abantu no mu myaka ya vuba kuko Iyerekwa rifata ibitahari nk'ibihari.

# Amatanguriro

Gukwirikira iyerekwa bisaba kwizera guhamye kuko haraho iyerekwa ribura insobanuro hagakoresha ingereranyo n'imigani ariko ihishurirwa risaba inyigisho no gutahura.

Ibitera umwijima n'ubwibone n'uko kenshi abatahuye ihishurirwa bifata nk'abafise iyerekwa. Ntamurongozi n'umwe yikwije mu mahishurirwa arakeneye ayandi mahishurirwa avuye ahandi atari uko yosanga yubatse ikiziba c'amazi adatemba canke ibuye ry'intatemwa.

# Amatanguriro

Kwitiranya iyerekwa n'ihishurirwa bizana kuzazanirwa na vyo bikavyara amacakubiri ariyo nkomoko yo guhona.

Ntushobora kuvuga ngo urafise iyerekwa mu vyakozwe n'uwundi muntu bisa no kubakira inzu mu yindi. Ntushobora kuvuga ngo urafise iyerekwa mu gihe udashoboye gushiraho intango n'iherezo. Ntushobora kuvuga ngo ufise iyerekwa mu gihe wizera kandi ugakoresha inzandiko z'abandi.

# Amatanguriro

Guca bugufi musi y'iyerekwa bivyara umugisha. Umugisha wo gukorera mw'iyerekwa ni gucika umuja w'iyerekwa.

Abanyabwenge bazi neza ico iyerekwa risigura akoresheje inyandiko z'abandi, akaba yarashoboye kuzagura ntavuga ko afise iyerekwa canke ihishurirwa yagize ariko avuga ko yahumekewe n'inyandiko (Inspiré) mu bwizigirwa no mu guca bugufi aravuga aho yabikuye.

## Iyerekwa (vision) na Bibiliya

Mu budahagarwa bwa Bibiliya, gushika uno musi Bibiliya yigaragaza nk'igitabo kidakeneye iyerekwa ry'abantu kugira gishitse ibigihishwemwo. Bibiliya n'igitabo kidutegeka kugendera no gukorera mu inzira zaco. Bibiliya iravuga intango ry'ibintu vyose kandi Bibiliya iravuga n'iherezo rya vyose ndetse Bibiliya iravuga ibihembo bizoroka abizigiye inzira yaco. Bibiliya ubwayo n'iyerekwa ryacu. Ntayerekwa rindi rikenewe.

## Nturi umuvisionnaire kandi ntayerekwa ufise

Ntawoshobora kuzura ubugunge n’ubwibone mu kuvuga ko afise iyerekwa muri Bibiliya nkaho wogira imirongo ni we yayanditse canke Bibiliya n’igitabu yiyandikiye. Duciye bugufi Bibiliya bayisomye tutarabaho, tutaramenya Imana barayidusomeye, twarizeye turakizwa none ivyo badusomeye natwe turiko tubisomera abandi. None vyahindutse iyerekwa ryacu ryari?

# Nturi visionnaire kandi ntayerekwa ufise

None impwemu y'ububi ivahe mu kuvuga ko dufise iyerekwa muri Bibiliya? Bibiliya ni yo ifise iyerekwa tugomba gushikana. Imana ntizodushimira kubera twaranguye neza ama yerekwa twihaye ariko izodushimira kubera twaranguye neza iyerekwa yaduhaye. Igihe cose Imana irinyuma y'ijambo yahaye abana b'abantu ngo irishitse. ***Yeremiya 1:12***
***« Maz'Uhoraho aranyishura ati Witegereje neza: kuko ndinda ijambo ryanje kugira ngo ndarishitse»***

# Nturi visionnaire kandi ntayerekwa ufise

Uhoraho adutegeka kwitegegereza neza uko arinda ijambo ryiwe kugira ngo ndarishitse. Igihe cose Imana itegeka abantu kwitegerezanya canke gutahurana ubwitonzi iyerekwa rituruka kuri Yo kuko niryo ryonyene ririzwe na Yo kandi rishitswa na Yo.

Ivyo abana b'abantu tuduza canke dukangisha abandi ngo n'amayerekwa twashizeho ivyo ntaburinzi bifise kandi ntibizoshika kuko Imana ntiri inyuma yavyo.

# Nturi visionnaire kandi ntayerekwa ufise

Gushitswa ntibisigura ko abantu babikunze ku bwinshi canke habonetse umugisha w'amahera adaharurika. Gushitswa bisigura kwemerwa n'amajuru nk'ukuri kwayo.

# Amatanguriro

Ushizeho iyerekwa ushiraho intango ugashiraho n’imirongo ngenderwaho ukavuga n’iherezo canke ibizoherukira ibindi. Nta muntu n’umwe aha umurongo Bibiliya ahubwo ni yo iduha umurongo. Nta muntu n’umwe ashiraho intango ya Bibiliya ahubwo ni yo ivuga amatanguriro yacu. Nta muntu n’umwe avuga iherezo rya Bibiliya ahubwo ni yo ivuga iherezo ryacu. Bibiliya ntikwirikira ijambo ry’umuntu n’umwe ariko abantu ni bo bakwirikira amajambo ya Bibiliya.

# Amatanguriro

Turashobora kuronka amahishurirwa menshi ava muri Bibiliya ariko ntidushobora kuronka amayerekwa menshi ava muri bibiliya kuko amahishurirwa yose ayoborera mw'iyerekwa rimwe rudende riri muri Bibiliya. Iherezo ry'ishengero rimwe rudende.

# Amatanguriro

Ntabihari kandi ntibizobaho. Udashoboye gushiraho intango kandi ushireho n'iherezo wongere ushireho n'ibihembo uzohemba abazokwirikira iyerekwa ryawe nta yerekwa ugira, nuce bugufi urongorwe n'amatanguriro twashiriweho tutarabaho.

Isezerano risha rivuga Yesu Kristo kandi yashizeho intango yongera avuga iherezo ndetse ashiraho n'ibihembo kubazomuyoboka twese twovuga ko iyerekwa ryiwe rihamye.

# Amatanguriro

Ico dutangaza n'uko Kristo na we avuga ko ataco yigeneye atari Se akimuhaye.
Kwiyadukiza kuvuga ko ufise iyerekwa ukwongera ugakoresha inzandiko za Bibiliya harimwo ubuzimire budakingirwa. Ushaka kuvuga ko ufise iyerekwa kora igitabo cawe nkuko Aba isiramu bafise koramu, ivyabona vya Yehova bafise bibiliya yabo nkuko abahindu bafise ivyo bimera vyabo.

# Amatanguriro

Kuba ufise urutonde rusha rwerekana uko abantu bakwiye gusenga n'uko bakwiye kwigenza hakwirikijwe inzandiko za bibiriya ivyo ntibivyara iyerekwa ariko bishimangira ko mufise ihishurirwa kuko ihishururwa rirasangirwa n'abantu benshi ndetse ihishurirwa rirava mw'ishengero rikimukira mu rindi. Dogitirine ishingiye kuri Bibiliya s'iyerekwa ariko n'ihishurirwa ariko dogitirine zose s'amahishurirwa na ho yoba ashingiye kuri Bibiliya.

# Amatanguriro

Igipimo ca dogitirine n'iyerekwa. Dogitirine itayoborera kwiherezo rya domweko ikimenyetso n'iyerekwa n'inzira ya gehinomu. Iyerekwa si Kopi. Kwiyitirira inyandiko canke imirongo atari iyawe vyitwa «Plagia».
Abasoma Bibiliya dukwiye kwizera ko twinjiye mw'iyerekwa ryera ryatunganijwe n'Imana. Dutegekwa uko twifata, tugategekwa uko dukora ndetse kugategereza ibihembo twabikiwe.

# Amatanguriro

Ntibirekuwe kuvuga imirongo y'igitabo utanditse ko ari iyerekwa ryawe. Ntushobora kwitwa uwiyerekwa (visionnaire) winyegeje inyuma yivyakozwe n'abandi. Kugira witwe umu visionnaire ushiramwo amatanguriro yawe n'ivyahishuwe gwawe, ndetse uzana iyindi Bibiliya ivuga ivyawe gusa. Ariko nimba wumva ivyo ko bitogukundira ca bugufi mu mutima nturi visionnaire.

# Amatanguriro

Kuba warashoboye kwegeranya abantu hamwe mu gicapo c'ishengero no kwubaka neza aho muhurira ntibisigura ko uri visionnaire. Guca bugufi n'agaciro. Bibiliya yo ubwayo ni vision. Mweneyo yaravuze amatanguriro kandi yaravuze n'iherezo. Abizeye Bibiliya bose barazi neza ivy'igitsibo kibabikiwe.

Kuba ukoresha neza telefone ya samusungi ntibiguhindura umuvisionnaire wa samusungi.

# Amatanguriro

Kuba umaze imyaka myinshi unyonga imodoka ntibikugira umuvisionnaire wa toyota. Uzoba visionnaire mu gihe wataye toyota ugakora iyindi yawe abantu batatekereza, ifise ama pine n'ubuvyo igenda atamuntu yabikeka. Ukaramuka naho wiganye izihari bavyitwa 'innovation' canke 'inspiration' ntibavyitwa na gato visionnaire.

Kenshi 'projet' iyo izanye ivyamwa vyinshi wogira n'iyerekwa.

# Amatanguriro

Visionnaire avuga ivyiwe. Amaze gukoresha inyandiko z'abandi no kuzikwirikira muri ico gihe agomba guca bugufi akavuga ko yahawe umuhamagaro wo gukwirikira Kristo. Ijambo umuhamagaro ryerekana ko wazanwe munyubako washirihweho utarabaho.

# Amatanguriro

Visionnaire ni nyen'umuhamagaro. Visionnaire ntahabwa umuhamagaro ariko ni we atanga umuhamagaro. Guhabwa umuhamagaro bingana no guhabwa igikorwa. Iyumvire nkahamwe woha igikorwa umukozi hanyuma bukeye akavuga ko afise iyirekwa mu vyo wamujeje gukorwa. Mu gikorwa wajejwe urarekuwe kuronka ihishurirwa kuko ihishurirwa ryagura kandi rigashitsa iyerekwa, ihishurirwa rihimbara Data buja ariko iyerekwa riva kwa Databuja.

# Amatanguriro

Imana iduha umuhamagaro wayo mu yandi majambo Imana iduhamagarira gukorera mw'iyerekwa ry'ijuru.

Mu mashengero menshi dufise amahishurirwa menshi ariko iyerekwa ntirihinduka kuko atamuntu afise ububasha n'umwe bwo gushiraho iyerekwa. Iyerekwa riva mw'ijuru abantu natwe tugashitsa dukoresheje amahishurirwa aturuka mu mihamagaro twahawe n'ijuru Mat 6:9,10.

# Amatanguriro

Naho amahishurirwa ari menshi iherezo ryacu ni rimwe kuko twarikiye ku yerekwa rimwe. Ihishurirwa ryose ritayoborera ku yerekwa rimwe ry'ijuru n'ibigirwamana.

# Amatanguriro

Dushize hasi ubwibone bwo kwifuza ama « Titre » y'ivyo tudashikira. Ntituri aba Visionnaires kubera imirongo mike dushingiyeko. Kuba umuhizi mu vyo guhishurirwa no gushiraho no gushishikara n'umwete mwinshi Dogitirine yemewe na benshi ntibikugira umuvisionnaire ahubwo bigaragaza umuhamagaro wakiriye uvuye mw'ijuru ko urikumwe n'abafise inyama n'amaraso.

**Mwifuza kutwunganira canke kugira ico mubaza Murashobora kutwakura kuri:**

**Whatsapp: +25779938921**

**Whatsapp:+ 25779988236**